

www.kidworship.kr

# Adamu na Eva


- 2nd Story -


11Page


| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Itongo rya Edeni ryarimwo ibiti vy'ubwoko bwose n'amashurwe hamwe n'uruzi rwiza rwatemba muri ryo. Ibikoko vyose vyarabana hamwe mu mahoro n'umwumvikano. Hagati muri ryo hari igiti c'ubugingo c'ubwenge bwo kumenya iciza n'ikibi. Adamu yari atunganiwe muri iryo tongo kandi yaravugana n'Imana. |
| Imana | Urashobora kurya ivyamwa vy'igiti cose co muri iri tongo ariko ntuze urye ku vy'igiti c'ubugingo kuko niwabikora uzopfa ntakabuza |
| Adamu | Ego mwami |


12Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Imana ibona ko Adamu adakwiriye kwibana hanyuma iramusinziriza imukuramwo urubavu rumwe hanyuma iruremamwo umugore. Uyo mugore yitwa Eva. Naho Adamu na Eva bagenda gusa , ntivyabatera isoni kuko bari bambaye ubwiza bw'Imana. |


13Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Umusi umwe inzoka iraza kuri Eva. |
| Inzoka | Ni ko Imana yababariye ko mutakwiriye kurya ivyamwa vyo ku biti vyose vyo mw'itongo? |
| Eva | Oya turashobora kurya ku biti vyo mw'itongo ariko Imana yavuzeko tutemerewe gukora canke kurya ibivuye ku giti c'ubugingo kuko twopfa. |
| Inzoka | Habe namba. Gerageza ntabwo uzopfa, ariko Imana izi ko nimwakiryako. amaso yanyu azohumuka muzoheza mumere nkayo mumenye ikibi n'iciza |
| Eva | Ni vyo? Ni ukuri? |
| Inzoka | Raba kirya camwa raba... ukuntu gitamuye (he he!) |
| Uwuvuga | Inzoka yari yateguye gutandukanya Adamu na Eva n'Imana no gutuma bayicumurako mu kurya kuri ca camwa co ku giti c'ubugingo. |



14Page

**Uwuvuga** Eva abonye ko kiryoshe kandi kibereye ijisho, yibagira ko atandukanye n'Imana kandi ko azopfa niyarya kuri co, aracabira aragifungura ntiyahereza aho, ariko aramura ashira n´umugabo wiwe nawe araheza araryako. Icago kibazako, Adamu na Eva bisanga bari gusa. Bibatera isoni, bashona amababi bambika ubwambure bwabo hanyuma baja kwinyegeza mw'itongo. Imana kuko imenya vyose irababara. Irahamagara Adamu.

**Imana** Adamu we, uri hehe? Wariye kuri ca giti c'ubwenge bw'iciza n'ikibi?

**Adamu** Mukiza, Eva yanzaniye ivyamwa vya ca giti hanyuma ndabirya .

**Imana** Eva we, n'iki cagutumye gukora ibi?

**Eva** Mukiza, ni inzoka yampenze.


**Uwuvuga** Imana ihana Adamu na Eva kuko bananiwe kugendera kw' isezerano. Inzoka nayo ihabwa igihano.

**Imana** “Uzokwikwega hasi ubuzima bwawe bwose."

”Eva uzogira umubabaro mwinshi mu kwibaruka."

“Uzorya ubize icuya ibivuye mu rusi kandi niwapfa uzosubira mu mukungugu"

---



15Page

**Uwuvuga** Imana iraheza yambika Adamu na Eva imitamana ivuye mu nsato z´ibikoko hanyuma ibomora mw´itongo rya Edeni kuko bananiwe kugendera kw´isezerano ryayo. Naho Adamu na Eva bacumuye ku Mana bakananirwa kugendera isezerano, ntiyabataye yarabakunze igumana nabo irabitaho gushika ku mpera. Adamu na Eva bava muri Edeni hanyuma bapfuye, basubira mw'ivu nk'uko Imana yari yarabivuze.